| | |
|---|---|
| **ORDONNANCE Nº 710/292 DU 04/02/2019 PORTANT INTERDICTION DE PLANTATION DES ESSENCES FORESTIERES ABSORBANT BEAUCOUP D'EAU DANS LES PERIMETRES DE PROTECTION DES SOURCES D'EAU, DANS LES BAS- FONDS ET DANS LES MARAIS** | **ITEGEKO INOMERO 710/292 RYO KU 04 WA ………/02../2019 RIBUZA GUTERA IBITI VY'ISHAMBA BIKWEGA AMAZI MENSHI MU TURERE DUKINGIRA AMASOKO Y'AMAZI, UTUBANDE N'IMYONGA** |
| **LE MINISTRE DE L'ENVIRONNEMENT, DE L'AGRICULTURE ET DE L'ELEVAGE,** | **UMUSHIKIRANGANJI W'IBIDUKIKIJE, UBURIMYI N'UBWOROZI,** |
| Vu la Constitution de la République du Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ; |
| Vu la loi n°1/010 du 30 juin 2000 portant Code de l'environnement de la République du Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/010 ryo ku wa 30 Ruheshi 2000 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi ; |
| Vu la loi n°1/13 du 09 août 2011 portant révision du Code foncier du Burundi, tel que modifié à ce jour ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 9 Myandagaro 2011 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi nk'uko ryagiye rirahinduka gushika ubu ; |
| Vu la loi n°1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'eau au Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 rishinga Igitabu c'amategeko agenga amazi mu Burundi ; |
| Vu la loi n°1/07 du 15 juillet 2016 portant révision du Code forestier ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 15 Mukakaro 2016 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amashamba mu Burundi ; |
| Vu le décret n°100/189 du 25 août 2014 portant modalités de détermination et d'instauration des périmètres de protection des captages d'eau destinée à la consommation humaine ; | Yihweje Itegeko inomero 100/189 ryo ku wa 25 Myandagaro 2014 ryerekeye ingene hatomorwa uturere dukingira amasoko akwegwamwo amazi abantu banywa n'ingene dushingwa ; |
| Vu le décret nº100/087 du 26 juillet 2018 portant organisation du Ministère de l'environnement, de l'agriculture et de l'élevage ; | Yihweje Itegeko inomero 100/087 ryo ku wa 26 Mukakaro 2018 ritunganya Ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi ; |
| Ordonne : | Ashinze : |

Article 1er

La présente Ordonnance a pour objet l'interdiction de la plantation des essences forestières dans les périmètres de protection des sources d'eau, dans les bas-fonds et dans les marais en vue de réduire le risque d'assèchement des sources d'eau et de la baisse du niveau des lits des cours d'eau, des rivières et des lacs.

Ingingo ya mbere

Iri tegeko nshikiranganji ribuza gutera ibiti vy'ishamba mu turere dukingira amasoko y'amazi, utubande n'imyonga mu ntumbero y'ukugabanya ivyotuma amasoko y'amazi akama n'urugero rw'amazi y'imigezi, ay'inzuzi n'ay'ibiyaga rugabanuka.

Article 2

Au sens de la présente Ordonnance, on entend par :

**Source d'eau,** un lieu d'émergence à la surface du sol de l'eau emmagasinée dans une nappe aquifère ;

**Marais,** terres en dépression, inondées ou gorgées d'eau de façon permanente ou intermittente ; les marais se distinguent des bas-fonds par l'existence, en cas d'assèchement sur tout ou partie de leur superficie, d'un ou plusieurs émissaires naturels ou artificiels ;

**Périmètre de protection des sources d'eau,** un contour délimitant le domaine géographique à l'intérieur duquel est interdite ou réglementée toute activité susceptible de porter atteinte à la conservation qualitative et quantitative des ressources en eau .

Ingingo ya 2

Muri iri tegeko nshikiranganji, aya majambo asigura :

**Isoko ry'amazi ,** ni ahantu amazi amenera kw'isi avuye mw'iriba ryo mu kuzimu ;

**Imyonga ,** ni amatongo yo mu biyaya, yama yuzuye canke arimwo amazi igihe cose canke rimwe na rimwe; igitandukanya imyonga n'utubande ni uko iyo imyonga yumye, haba hose canke ibice bimwe bimwe vyayo, haca hibonekeza umugazo canke imigazo yizanye canke iyagazuwe.

**Akarere ko gukingira amasoko y'amazi,** ni akarere gakikuje ikibanza bibujijwe ko kirangurirwamwo igikorwa ico ari co cose gishobora kubangamira ibungabungwa ry'amasoko y'amazi haba mu bijanye na kamere kayo canke urugero rwayo canke ico kibanza kikarangurirwamwo ico gikorwa ari uko hubahirijwe amategeko.

Article 3

Il est interdit de planter des essences forestières absorbant beaucoup d'eau sur les périmètres de protection des sources d'eau, dans les bas-fonds, dans les marais et dans les zones tampons des rivières et des lacs conformément aux dispositions du code de l'eau.

Ingingo ya 3

Birabujijwe gutera ibiti vy'ishamba bikwega amazi menshi mu karere gakingira amasoko y'amazi, mu tubande, mu myonga no mu turere dutandukanya uturere dukingiye inzuzi n'ibiyaga hisunzwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga amazi.

La zone d'interdiction couvre une largeur de 15 m à partir de la limite qui sépare le bas–fonds ou le marais du flanc de colline.

### Article 4

Les essences forestières plantées sur les espaces visés à l'article 3 seront remplacées par des essences autochtones dont les espèces seront déterminées par les services forestiers habilités.

### Article 5

La mise en œuvre de l'Ordonnance est assurée par l'Office burundais pour la protection de l'environnement, les Bureaux provinciaux de l'environnement, de l'agriculture et de l'élevage en collaboration avec l'administration territoriale et les communautés locales.

### Article 6

La Direction générale de l'environnement, des ressources en eau et de l'assainissement est chargée de l'exécution de la présente Ordonnance.

### Article 7

Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente Ordonnance sont abrogées.

### Article 8

La présente Ordonnance entre en vigueur le jour de sa signature.

Fait à Bujumbura, le 04 /02 /2019

LE MINISTRE DE L'ENVIRONNEMENT, DE L'AGRICULTURE ET DE L'ELEVAGE

Dr Déo-Guide RUREMA(Ph.D).

Ahabujijwe guterwamwo ivyo biti hafise ubwaguke bwa m 15 ziharurwa kuva ku rubibe rutandukanya akabande canke umwonga n'ahahanamiye umwonga.

### Ingingo ya 4

Ibiti vy'ishamba vyatewe muri ivyo bibanza bivugwa mu ngingo ya 3 bizosubirizwa n'ibiti vy'aho hantu, ubwoko bwavyo bukazotomorwa n'ibisata bijejwe amashamba bibifitiye ububasha.

### Ingingo ya 5

Ikigo kijejwe ugukingira ibidukikije n'Ibiro bijejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi mu ntara ni vyo bijejwe ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko nshikiranganji bifadikanije n'abajejwe intwaro mu ntara hamwe n'abanyagihugu.

### Ingingo ya 6

Ubuyobozi bukuru bujejwe ibidukikije, amasoko y'amazi n'ugusukura bushinzwe gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko nshikiranganji.

### Ingingo ya 7

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko nshikiranganji zirafuswe.

### Ingingo ya 8

Iri tegeko nshikiranganji ritangura gukurikizwa kuva umusi rishiriweko umukono.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 04 /02 /2019

UMUSHIKIRANGANJI W'IBIDUKIKIJE, UBURIMYI N'UBWOROZI

Dr Déo-Guide RUREMA(Ph.D).